Australian Government
Services Australia

Icarana icemezo c’uko waronkejwe urukingorwa COVID-19

Immunisation history statement yawe irerekana yuko harimwo urukingo rwa COVID-19.

Uburyo bworoshe bwo kuronka ico cemezo ni uguca ku murongo ngrukanabumenyi ukoresheje kimwe muri ibi bikurikira:

- Medicare online account yawe biciye kuri myGov
- Ubuhinga bwo kuri telephone ngendanwa bwa app bwa Express Plus Medicare.

Ingene ushobora kuronka immunisation history statement

Ukoresheje Medicare online account yawe yo kuri konte yawe biciye kuri myGov:

1. Ugurura kuri myGov maze uhitemwo **Medicare**.
2. Kuri **immunisation history** tora **View statement**.
3. Rondera izina ryawe, hanyuma uhitemwo **View history statement (PDF)**.

Ugukoresha ubuhinga bwa app kuri telephone ngendanwa bwa Express Plus Medicare:

1. Injira muri ubwo buhinga bwa app.
2. Hitamwo aho handitswe **Immunisation history** ugakuye mu **Services**.
3. Tora mwo izina ryawe, hanyuma uce utora ahanditswe **View history statement (PDF)**.

Nimba udashoboye kwinjira muri immunisation history statement kuri ngurukanabumenyi canke ukeneye imfashamwo, hamagara kuri **1800 653 809**.

Nimba udafise konte ya Medicare ku murongo ngurukanabumenyi

Ukwiriye gufatanya Medicare ukayishira kuri konte ya myGov kugira ngo utanguze konte yawe ya Medicare ku buhinga ngurukanabumenyi.

Injira muri, canke ureme, ushireho, konte yanje ya myGov kuri **my.gov.au**

Aho rero uca ushira hamwe ugafatanya Medicare ukoresheje kimwe muri ibi bikurikira:

- Inomero y’Ikarata yawe ya Medicare n’inkuru zivuye kuri kahise kawe ka Medicare
- Code yo gushira hamwe ivyo itangwa na Medicare.

Kugira ngo uron ke uwugufasha gushira Medicare kuri myGov, ca kuri **servicesaustralia.gov.au/medicareguides**

Bika ido n’ido y’aho ushobora kubarizwa kuri Medicare igihe cose

Ni ngirakamaro ko ido n’ido ry’aho ushobora gutorwa kuri Medicare haguma hagezweho igihe cose boshaka kukurondera. Urashobora kubiraba kandi ugatanga ido n’ido ry’aho ushobora kuronkeka igihe cose ukoresheje konte yawe yo ku murongo ngurukanabumenyi ya Medicare canke ukoresheje ubuhinga bwa app bwo kuri telephone yawe ngendanwa bwa Express Plus Medicare.

Nimba utari mu gitigiri c’abemerewe gukoresha Medicare canke Department of Veterans’ Affairs (DVA)

Urashobora kudusaba ico bita Individual Healthcare Identifier (IHI) kugira ngo uronswe impfunyapfunyo y’inkingo waronkejwe biciye kuri My Health Record. Ca uja kuri **servicesaustralia.gov.au/ihi** igihe ushaka izindi nkuru zirengeye izi tukuronkeje.

Ku bigezweho vya nyuma kuri COVID-19 n’impanuro, ja kuri **australia.gov.au**

Ku zindi nkuru zirengeye izi

- Hamagara Translating and Interpreting Service (TIS National) kuri **131 450** uvugane natwe mu rurimi rwawe ku vyerekeranye n’ibikorwa vya Medicare
- Ja kuri **servicesaustralia.gov.au/ihs** ku zindi nkuru zirengeye izo tugushikirije mu Kingereza
- Ja kuri **servicesaustralia.gov.au/yourlanguage** aho ushobora gusoma, kwumviriza uteze ugutwi canke ukaraba videos zirimwo ibivugwa kahoreshejwe ururimi rwawe
- Ja mu kigo kirimwo ibikorwa bitangwa.

Raba neza: uhamagaye ukoresheje telephone yawe y’i muhira ugahamagara kuri nomero zitangurwa na ‘13’ aho ari ho hose muri Australia birarihishwa amahera adahinduka. Ayo mahera arashobora ariko guhinduka guhera ku giciro co guhamagara mu micungararo kandi arashobora guhinduka bivanye n’abatanga ivyo bikorwa. Uguhamagara ku nomero za ‘1800’ uhamagariye kuri telephone yawe y’I muhira nta mahera birihishwa. Uguhamagara guciye kuri telephone ngendanwa hamwe n’ahandi hantu hakoreshwa n’abantu bose birashobora guharurwa kandi bikarihishwa ku rwego rwo hejuru.